**REPUBLIQUE DU BURUNDI** ***Bujumbura, le***

**PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE**

**Secrétariat Général de l'Etat**

# ITANGAZO NOMERO 2 RYA RETA Y'UBURUNDI RYOGUSHIMA I NGINGO INAMA NKURU IJEJWE UMUTEKANO Y'ISHIRAHAMWE MPUZAMAKUNGU ONU YARAYE IFASHE YO GUKURA UBURUNDI K'URUTONDE RW'IVYIRWA MU BIJANYE N'UMUTEKANO

1. Reta y'Uburundi yakiranye urweze rwinshi Ingingo nziza kandi iremesha iherutse gufatwa n'urwego rujejwe umutenkano mw'ishirahamwe mpuzamakungu ONU, yo gukura Uburundi ku rutonde rw'ivyigwa ku bijanye n'umutekano n'agateka ka zina muntu ; nkuko Nyenicubahiro Varisito Ndayishimiye, Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, yabisavye na canecane mw'Ijambo yashikirije mw'Ikoraniro rigira 75 ry'Abakuru b'ibihugu n'amareta bagize Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU.
   Iyo ngingo iheruka gufatwa, irerekana neza ko Uburundi bwateye intambwe ishimishije mu bisata bitandukanye bigize ubuzima bw'igihugu.

2. Reta y'Uburundi irashimye kandi irakengurutse iyo ngingo, kuko ni ikimenyetso gikomeye, kitabesha kandi gihumuriza, ko imigenderanire hagati y'Uburundi n'amakungu igiye gusubira kuba myiza.

3. Uburundi burabandanya kumenyesha amakungu ko umutekano uriho, ko agateka ka zina muntu kubahirijwe, ko abenegihugu bari ku kivi mu bikorwa vy'iterambere.

N'ikimenyamenya kitabesha n'itunganywa ry'amatora yo mu 2020, yabaye mu mahoro n'umutekano, Abarundi batarinze kuzera inze nk'uko vyahora kera, ayo matora akaba yakurikiwe n'ishirwaho ry'Inzego zishira imbere Iteka n'Itekane ry'Abarundi bose. Ikindi kimenyetso gikomeye, ni ugutahuka ku bwinshi kw'impunzi z'abarundi.

4. Reta y'Uburundi irashimishwa kandi n'uko amakungu asigaye, yumva kumwe ibibazo vy'Uburundi, nk'uko bigaragazwa n'ugutegera kumwe ingingo iherutse gufatwa na Reta y'Uburundi y'ukwugara ibiro vy'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU mu Burundi. Uburundi buri ku kivi c'amahoro, n'iterambere. Iyo ntambwe Uburundi buyikesha uruhara rw'umwe umwe wese hamwe n'ibihugu bigenzi vyafashije bimwe biboneka kugira igihugu kigume gihagaze. Aho umwe umwe wese yitanze atiziganya.

5. Reta y'Uburundi iboneyeho aka karyo ko gusubira kwiyemeza kandi kubandanya ihagarariye amahoro n'umutekano no gukingira agateka ka zina muntu. Nkako, iryo ni ryo hangiro rya Reta Mvyeyi.
   Vyongeye, Reta y'Uburundi iriyemeje kubandanya itsimbataza imigenderanire myiza n'ibindi bihugu, ishingiye ku kungana kw'ibihugu imbere y'amategeko, kwubahana no kwubahiriza ubwigenge bw'igihugu ico ari co cose, hamwe n'imigenderanire n'ugufashanya bizira uburyarya.

6. Mu ntumbero yo kwubahiriza ubwigenge bw'igihugu, Reta y'Uburundi yipfuza ko imigenderanire y'Uburundi n'amakungu yoshimikira canecane mu gushigikira umugambi w'igihugu ujejwe iterambere Uburundi bwiyemeje (PND 2018-2027), uwo na wo ukaba wisunze ahanini ihangiro mpuzamakungu mu bijanye n'iterambere rirama (ODD), hamwe n'ihangiro rya Afrika mu bijanye n'Iterambere (Agenda 2063 de l'UA).

7. Mu ntumbero yo kunagura imigenderanire n'ibindi bihugu, Uburundi buzoja inama n'ingingo n'abo bafashanya mw'iterambere, kugirango barabire hamwe ingene iyo migenderanire y'ugufashanya ata wanrya wangura yotsimbatazwa.

8. Reta y'Uburundi isubiye gushimira Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU muri rusangi, ku ngingo yaraye ifashe, irashimira kandi ku buryo budasanzwe, ibihugu bigenzi vyakoze bitiziganya kugira ngo Uburundi bwumvirwe kuvyo busaba.

9. Mugusozera, Reta y'Uburundi isavye Abarundi kwakirana urweze rwinshi no gushigikira iyo ngingo nziza y'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU, isaba abenegihugu kubandanya bafatanye munda nkuko bamye babigira no mu bihe bigoye, babandanye ibikorwa vy'iterambere.

Bigiriwe i Gitega, ku wa 7 Kigarama 2020

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi

REPUBLIQUE DU BURUNDI
SECRETARIAT GENERAL DE L'ETAT
PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE

Prosper NTAHORWAMIYE